Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 69
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu


# NDONGOZI Y'UBURUNDI

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06
B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907
N°782 01 Nzero 2023

## Itangazo risozera ibikorwa vy'inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi, yo muri Kigarama 2022



Kuva kw'igenekerezo rya gatanu gushika ku ry'i-cenda Kigarama 2022, Abepiskopi b'Ekleziya Gatolika b'i Burundi barakoraniye hamwe mu nama yabo isanzwe y'ukwezi kwa Kigarama. Iyo nama yabereye i Bujumbura ku cicaro c'Inama yabo i Kiriri.

• Igisabisho giheze, Umwepiskopi arongoye inama yaciye ashikiriza ijambo ryo kwugurura ibikorwa aho yibutsa canecane ko Ekleziya y'i Burundi yinjiye muri Yubile y'imyaka 125 iheze Inkuru Nziza ya Yezu Kristu ishitse aha iwacu.

Iryo jambo riheze Abepiskopi baciye babanza guhanahana amakuru yerekeye ubuzima n'ubutumwa mu ma Diyoseze bashinzwe.

• Bose barakengurukiye Imana ku ngabire y'abakristu benshi bateguwe bakongera bagakomezwa muri Mutima Mweranda. Mu madiyoseze yose, mu mezi yo mu ci haratiwe abasaserdoti, ahatari hake naho mu miryango y'abihebeyimana harakirwa indagano.

Ivyo vyose bikaba biri mu vyerekana ko Ekleziya y'i Burundi iguma itera intambwe mu kuronka abatumwa bamenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu haba mu gihugu canke ahandi.

• Amaparuwasi amwe amwe yarahimbaje amayubile y'imyaka amaze ashinzwe, ayandi na yo akaba yaratanguye kwitegurira kuyahimbaza.

Noneho Ekleziya yose y'i Burundi yarinjiye icese

Soma ku Rup. 3

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Impundu muri paruwase «Bwoga Kiyoja» Diyoseze nkuru ya Gitega



*Uwo ni patiri Nshimirimana Fransisko ari kumwe n'Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega bahagatiwe n'abasaseredoti bo mu muryango w'abamisiyonari ba MontFort*

Ku wa 11 Kigarama 2022, kw'idominika ya gatatu y'ubushikiro, idominika y'akanyamuneza, muri Paruwase Bwoga Kiyoja; Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventure Nahimana yari aramutse yatira mw'ibanga ry'ubusaseredoti diyakoni Fransisiko Nshimirimana wo mu muryango w'abapatiri babamisiyonari ba Montfort mweranda.

Akanyamuneza kari kose ko kwigina iryo banga kuko yabaye umusaseredoti wa

Soma ku Rup. 5

## Ibirimwo

o DImpundu muri paruwase «Bwoga Kiyoja» Diyoseze nkuru ya Gitega ..........5
o Irwirirana ry'abantu mu Burundi ni urugamba kuri twese..........7
o Igisata Caritas c'Ekleziya Katolika giharanira kugumya akaranga kayo..........8
o Mbega nkore iki?..........9

# Idominika y'Ukumenyekana kwa Kristu: Umwaka A

## Igisomwa ca mbere: *Isaie : 60,1– 6*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya :

*(Ubuninahazwa bw'Umukama bwagusaze wese)*

Yeruzalemu we, haguruka , tamanzura: umuco wawe waserutse, ubuninahazwa bw'Umukama bwagusaze. Nayo umwijima watwikiriye isi, umuzimiza wazimije ibihugu ; ariko weho Umukama yakugarukiye, ubuninahazwa bwiwe buhagaze hejuru yawe. Intara ziza zigana umuco wawe, abami na bo birukira izuba rirasiye i wawe.

Tereza amaso irya n'ino urabe : bose bakoranye kandi baje i wawe ; abahungu bawe baje bava kure, abigeme bawe na bo baje bareruwe.

Niwabibona uzoheza unezerwe, agahimbare kakwuzure, kuko ivyiza biva hakurya y'ikiyaga bizosesekara i wawe, amatungo y'ibihugu azotaha i wawe. Isinzi ry'ingamiya n'ibitwazi vya Mediyani na Efu bizokubita i wawe hazime. Abo muri Seba bose bazoba bazanye inzahabu n'isenga baninahaza Umukama.

## Igisomwa ca kabiri : *Abanyefezi: 3,2 -3a. 5-6*

Ivyo dusoma mw'ibaruwa Umutumwa Paulo yandikiye Abanyefezi :

*(N'abapagani bemerewe gutorana hamwe natwe iragi ry'Umukama)*

Ncuti zanje :
Ngira ngo mwarumvise ingene Imana yanteye iteka kubera mwebwe, ikampishurira rya Banga rya Kristu ritamenyeshejwe abakera, nkuko ubu ryahishuriwe abatumwa n'abahanuzi biwe beranda muri Mutima.

Ubu n'abapagani bemerewe gutorana hamwe nawte iragi ry'Umukama, ubu turi ingingo z'umubiri umwe, dusangiye umuhango umwe muri Kristu Yezu, kubera Inkuru nziza dusangiye.

## Inkuru nziza : *Matayo : 2, 1– 12*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Twabonye inyenyeri yiwe iserutse, duca turaza, tuzanye n'amashikanwa, ngo dusenge Umukama.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Matayo :

*(Tuvuye mu Buseruko ngo tuze gusenga Umwami yavutse)*

Aho Yezu yavukira i Betelehemu mu Buyudeha, ku ngoma y'Umwami Herodi, abamajusi bashitse i Yeruzalemu bavuye mu buseruko bw'izuba, bavuga bati: "Umwami w'abayahudi aheruka kuvuka ari hehe? Twabonye inyenyeri yiwe iserutse, duca tuza kumusenga." Umwami Herodi avyumvise, bimutera akoba, we n'ab'I Yeruzalemu bose. Akoranya abakuru mu basaserdoti n'abigisha bose, ababaza iyo Kristu azovukira.

Nabo bamwishura bati: "N'i Betelehemu mu Buyudeha, kuko ari ho umuhanuzi yavuze aho yandika ati: Ewe Betelehemu ya Yuda, nturi muto mu miryango ya Bene-Yuda, kuko Umwami azorongora igihugu canje Israeli azova i wawe." Araheza Herodi yihereranya bano Bamajusi, baramufoborera neza ikiringo c'aho iyo nyenyeri yabonekera; arabagenekereza Betelehemu, ababwira ati: " Gende, mubaririkize neza ivy'uyo mwana; muramutse mumubonye, muntumeko, nanje ngende kumusenga." Bahejeje gukebukana n'umwami, barijura.

Ya nyenyeri bari babonye mu buseruko ibatanga imbere iragenda; ishitse hejuru y'aho nya mwana yar'ari, irahagarara. Ngo babone nya nyenyeri, barahimbarwa cane. Binjiye mu nzu, bahasanga nya mwana na Mariya nyina wiwe, barapfukama, baramusenga. Baraheza bapfundurura ibikemanyi vyabo, bamushikanira inzahabu, isenga n'imira.

Ivyo biheze, baburirwa mu ndoto ngo ntibasubire guca kwa Herodi, baca bajana iyindi nzira, bitahira i wabo.

# Itangazo risozera ibikorwa vy'Inama y'Abepiskopi gatolika b'i Burundi ya muri Kigarama 2022

*(Bitangurira ku rup.1)*

mu mwaka wa Yubile y'imyaka 125 iheze Inkuru nziza ya Yezu Kristu itanguye kumenyeshwa hano iwacu.

Haraheze kandi imyaka ijana umwepiskopi wa mbere muri Ekleziya y'i Burundi, Musenyeri Yuliyano Gorju ashikirijwe intebe y'ubwungere hariya i Mugera.

• Mu gisata c'inyigisho ziguma zihabwa imirwi imwe imwe muri Ekleziya, haratunganijwe mu madiyoseze yose amahuriro y'urwaruka hamwe n'ihuriro ry'urwaruka ruvuye mu madiyoseze yose ryabereye i Muyinga kuva kw'igenekerezo rya 16 gushika ku rya 19 Myandagaro.

Iryo hwaniro ryari rifatanye n'ikoraniro kaminuza rishimikiye ku nyigisho z'ukuzirikana isakaramentu ryeranda rwose ry'Ukaristiya n'ukuriteramira. Haranatunganijwe inyigisho nkarishabwenge zahawe abasaserdoti mu madiyoseze yabo.

• Abungere ba Ekleziya barahimbawe kandi mu kwumva ko ibikorwa vy'integuro y'ugushira mu murwi w'abahimbazwa Padiri Misheli Kayoya, abasaserdoti b'abasaveriyani n'umulayike biciwe i Buyengero hamwe n'abana bapfiriye umuvukano mw'iseminari ntoyi y'i Buta, biheruka gusozerwa ku rwego rwa Diyoseze.

Ni vyiza rero ko umuryango w'abakristu ushikara gusabira izindi ntambwe zikurikira z'ico gikorwa.

• Abungere ba Ekleziya baranasubiye kwibukana iteka Nyenicubahiro Musenyeri Venansi Bacinoni bahora basangiye inama, aheruka kurenguka i Bukama. Baranibutse abasaserdoti baheruka gushengera mur'aya mezi aheze.

• Mu madiyoseze yose harabaye ukurimburira hamwe ubutumwa bwaranguwe mu mwaka uheze, haca hugurugwa icese umwaka mushasha w'ubutumwa w'2022 ushira uw'2023.

• Ku vyerekeye ubuzima bw'igihugu, Abungere barashima cane ko hariho umutekano nka hose naho amatati yo mu ngo asa n'aza ariyongera kugeza naho haba ubwicanyi mu miryango. Abungere baratewe umutima uhagaza n'intambara ziriko zirabera mu buseruko bw'igihugu kibanyi ca Repubulika iharanira demokarasi ya Kongo.

Barateye intege abo bose bagira utwigoro mu ntumbero y'ukugarukana amahoro mur'ico gihugu kandi babandanya bagisabira.

• Abungere bararajwe ishinga n'ubukene bw'ibifungurwa mu masoko, ibibonetse navyo bikagurishwa ku biciro vy'umurengera kandi bidahengeshanya kuduga. Ivyo bikunyurwa n'uko hose imvura yatasuye itevye bigatuma abantu bahagarikwa umutima kuko batiteze umwimbu mwiza w'agatasi.

• Abepiskopi barashikirije kandi amakenga bafise ajanye n'ingorane z'ukwiyunguruza zivuye kw'ibura ry'igitoro co mu bwoko bwa essence riza ririsubiriza, naho mu misi iheze abantu bari batanguye gusubiza umutima mu nda.

Bahejeje guhanahana amakuru, Abepiskopi baciye bicarira ivyari bitegekanijwe ku rutonde rw'ivyigwa mur'iyo nama.

1. Kubera ko Ekleziya y'i Burundi yinjiye mu mwaka wa Yubile y'imyaka 125 Inkuru Nziza ya Yezu Kristu ishitse aha iwacu, Abepiskopi bararabiye hamwe integuro y'intumbero nyayo y'iyo Yubile hamwe n'ivyokorwa kugirango umuryango w'Ekleziya utere intambwe nshasha mu kwemera. Bafatiye ku civugo c'iyo Yubile, baciye bashinga ko hategekanijwe ibi bikurikira:

• Gushira mu majambo igisabisho ca Yubile coherezwa mu maparuwasi yose no mu mibano;

• Gutunganya inama ihuza abegwa bose (états généraux) n'ivyerekeye urugo muri rusangi be n'urugo rukristu cane cane, ubuzima bwarwo mu bihe vya none hamwe n'ubutumwa bwarwo bw'ukumenyesha Inkuru nziza;

• Kwemeza ukwitanga kw'abamisiyonari ba mbere, mu gushinga ivyibutso mu bibanza bimwe bimwe babayemwo mu Burundi;

• Gushinga n'ugutunganya ikigo gitanga inyigisho zikomeza muri Ekleziya y'i Burundi umutima w'ukuba abamisiyonari zikongera zigategura abamisiyonari b'abarundi imbere yuko baja gutangura ubutumwa mu mahanga.

• Harategekanijwe rero n'ibindi bitari bike nk'ingendo nyeranda ahashinzwe imisiyoni zambere zahavuye ziba amaparuwasi, gutunganya inama-nyigisho ku vyerekeye ingo n'imiryango...

2. Mu nyuma y'ico gikorwa nyamukuru, Abepiskopi baratosoye impinduro mu rurimi rw'igifaransa y'urwandiko rw'itegeko rigenga abamenyeshamana mu Burundi.

Barongeye baratosora uko abo bari batumye bahinduye mu kirundi urwandiko rw'umugirwa wo gushikiriza ibanga ry'ubumenyeshamana nkuko wategekanijwe n'ikete Antiquum Ministerium ry'Umuvyeyi wacu Papa Fransisiko. Izo nzandiko zompi barazemeje.

3. Baciye babandaniriza ibikorwa vyabo ku guheraheza impinyanyuro y'urwandiko rw'itegeko ngengabikorwa ry'urwego rugizwe nInama yabo nk'Abepiskopi gatolika b'i Burundi.

*Ibikur. urup. 12*

# Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki? *(Ibikurikira)*

**Ivuka rya Diyoseze Bururi**

Kuwa 14 mukakaro 1949, niho intara y'ubutumwa y'Uburundi yaciwemwo kubiri : haba intara y'ubutumwa ya Gitega irongowe na musenyeri Antoon Hubert GRAULS n'intara y'ubutumwa ya Ngozi irongowe na musenyeri Joseph Martin.

Ku wa 10 munyonyo 1959, niho Uburundi bwaba intara y'ubutumwe bw'Ekleziya (Province Ecclésiastique) igizwe n'amadiyoseze, umugwa mukuru ukaba i Gitega.

Kuwa 6 ruheshi 1959, niho Diyoseze ya Bururi imaze kuvuka, yaciye ishingwa musenyeri Joseph Martin.

Musenyeri Andrea Makarakiza yatiririrwa iryo banga, aba umurundi agira kabiri inyuma ya Musenyeri Michaeli Ntuyahaga. Musenyeri Andrea Makarakiza rero aca ashingwa diyoseze ya Ngozi ngo asubirire musenyeri Joseph Martin.

Mu mwaka w'1973, mu gihe Ekleziya y' i Burundi yariko irahimbaza yubile y'imyaka 75, vyahuriranye n'uko usenyeri Joseph Martin ageze guhereza, niho Musenyeri Bernardo Bududira yaca atorwa, akatiririrwa ibanga ry'Ubwepiskopi ngo asubire mu kibanza ca Musenyeri Joseph Martin.

Yarongoye iyo diyoseze gushika mu 2007.

Kuwa 25 ruheshi 2007, niho hagenwa patiri Venasi Bacinoni ngo asubirire Musenyeri Bernardo. Yaciye yatiririrwa iryo banga kuwa 8 nyakanga 2007, aba Umwepiskopi aira gatatu wa Diyoseze Bururi. Yayirongoye gushika igenekerezo rya 15 ruhuhuma 2020, hageze ko akukuruka. Yasubiriwe na Musenyeri Salvator Niciteretse, aba Umwepiskopi agira kane aragijwe iyo Diyoseze.

**Muti diyozeze Bururi imaze kuvyara amaparuwase angahe ?**

Paruwase ya Makamba yitiriwe Petero Claveri Mweranda yavutse mu 1934; Paruwase Rumeza Rumeza yitiriwe Umwagabekazi w'i Lurde (Notre Dame de Lourdes) yavutse mu 1935; Paruwase Rutovu yitiriwe Umugabekazi w'amizero (Notre Dame d'Espérance) yavutse mu 1940; Rumonge (Notre Dame d'Asomption): 1950.

Paruwase Bururi yitiriwe Umwagabekazi w'isi (Marie Reine) : 1954; Matyazo yitiriwe Karoli Luanga mweranda yavutse mu 1961; Murago (Saint Jean-Baptiste ): 1962; Butwe (Mater Ecclesia) : 1967; Mabanda yitiriwe Petero na Paulo Beranda yavutse mu 1967.

Paruwase Kigwena yitiriwe Bernardo Mweranda yavutse mu 1969; Minago yitiriwe Umuryango mweranda yavutse mu 1975; Mugamba (Notre Dame de l'Assomption) : 1975; Nyanza – Lac (Notre Dame du Rosaire): 1989; Buyengero (Christ Roi ) : 1990.

Paruwase Kaganza (Reine des Apotres ): 1997; Kanyinya (Saint Jean) :

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Diyoseze ya Bubanza yavutse ryari?

Mu waka w'1980, Ekleziya y'i Burundi yaronse ingabire nyinshi. Hari iyatirwa mw'ibanga ry'Ubwepiskopi bwa musenyeri Joseph Nduhirubusa na Musenyeri Rogeri Mpungu. Hari kw'igenekerezo rya 4 Rusama 1980, i kinshasa mu gihugu kera cahora citwa Zaire.

Uyo mwaka nyene, igenekerezo rya 14 ruheshi niho havuka diyoseze ya Bubanza, ica ishingwa Musenyeri Evariste Ngoyagoye. Yarongoye iyo diyoseze imyaka 17, n'ukuvuga gushika 1997. Yaciye asubirirwa na Musenyeri Yohani Ntagwara, kuva kuwa 14 ruhuhuma 1998 gushika n'ubu (2022).

**Muti diyozeze Bubanza imaze kuvyara amaparuwase angahe ?**

Paruwa ya Mabayi yitiriwe Mariya Mweranda Umukandizi (Marie Mediatrice) yavutse mu 1938, Paruwa se ya Gihanga yitiriwe Uwasamwe ata gicumuro ( Immaculée Conception) : 1953 .

Paruwase ya Kaburantwa yitiriwe Uwasamwe atagicumuro (Immaculée Conception) yavutse mu 1953 ; Cibitoke (Christ Roi): 1957 ; Masango (Martyrs de l'Uganda) : 1964 ; Butara (Reine de la Paix): 1966 ; Bubanza (Christ Roi) : 1969 .

Paruwase Rugendo yitiriwe Yozefu mweranda yavutse mu 2006 ; Muzinda (Saint Pierre) : 2008 ; Muyebe (Saint François d'Assise) ; 2011 ; Murwi (Bon Pasteur) : 2012 ; Mukungu (Jean Baptiste): 2017 ; Munyika (Regina Pacis) : 2019.

Hari kandi n'izindi paruwase zitatu : Gihango, Kigazi, Ngara ziriko zitatunganywa ngo zizobe paruwase.

Abasaserdoti bakukira Diyoseze ya Bubanza kandi b'imvukira bakarangurira ubutumwa muri Diyoseze, ni 73. Abakukira Diyoseze ariko barangurira ubutumwa mu yandi madiyoseze yo mu gihugu ni 7.

Abasaserdoti bari ku mashure canke bari mu butumwa hanze mu makungu ni 8. Bose hamwe, Diyoseze ya Bubanza ifise abasaserdoti b'imvukira 88.

***Patiri Noël Ntirandekura***

## Impundu muri paruwase «Bwoga Kiyoja» Diyoseze nkuru ya Gitega

*(Bitangurira ku rup.1*

mbere w'umurundi yatiwe muri iryo banga muri uwo muryango.

Iyo nkuka y'imisa ikaba yari yitabwe n'abasaseredoti baje kumushigikira, hamwe n'uwuserukira uwo muryango n'icegera ciwe mu karere ka Afrika k'ibihugu bivuga ururimi rw'igifaransa nyakubahwa patiri Guelord Baseme. Hari kandi abihebeyimana, abakristu baje bava muri Paruwase ya Gasura uwo musaseredoti avukamwo nabo i Bwoga nyene.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, Nyenicubahiro Umwungere wa Diyoseze yaribukije inyifato ibereye umusaseredoti ati: «Umusaseredoti ahamagariwe kw'icisha bugufi nka Yezu.

Ni naho ategerezwa kwama aja kwa Yezu kumwitura mu gisabisho canke kumubaza mu gihe adidaniwe mu butumwa yashinzwe bwo kurangira abandi inzira irora kwa Yezu. Ahamagariwe gutegura abakristu ngo babone guhura n'Imana mw'ijambo ryayo, mu masakramentu no mu migirwa ya liturjiya.

Ahamagariwe kandi kubahuka kudoma urutoke ku nabi iriko irakorwa, ku gicumuro no ku nkurikizi yaco ku bantu, atarondera kubagiriza, ariko arondera kubakingira no kubereka inzira y'urukiza ngo ntibahave barwa mu rudubi canke ngo bakurikirane inzira ijana mu gaheza.

Mu guheza iyo nyigisho, yahamagariye diyakoni Fransisiko kuzirikana neza ibanga yagira ashikirizwe, ico rimuhamagarira nico rimutegereza. Amuhamagarira kuryakirana umutima wemera, ugamburuka kandi wicisha bugufi. Yamusavye kurikunda no kuryihebera.

Gukunda abakristu kandi yame abahetse ku mutima. Abitangire adatinya uburuhe canke ishishi bo mutera cane cane yemeye kwiyegereza aboro, ipfuvyi n'abageze mu zabukuru. Amutumirira kugiriranira umubano mwiza n'abandi basaseredoti bazobana bagakorana ubutumwa.

**Diyakoni Francois Nshimirimana yatiwe ni nde ?**

Yavukiye muri Paruwase Gasura iri muri Diyoseze Nkuru ya Bujumbura.Yatanguye amashule y'intango 1997 ayarangiwa 2004. Ayisumbuye yayatanguye 2004 ayarangiza 2012 kw'ishule rikuru ryo mu Kibimba.

Mu 2012 yarasimbiye kuri Kaminuza y'Uburundi mu gisata c'inyifato z'abantu. Ntiyahateba kuko 2013 yahavuye yitaba umuhamagaro wo kuba umumisiyonari mu muryango w'abagendanyi ba Bikira Mariya watangujwe na Ludoviko Mariya w'i Montfort mweranda.

Guhera muri 2013 gushika 2016 yari umurererwa muri Congo i Kisangani yongera yiga ivyirwa vya Fikozofiya kw'ishule kaminuza ryitiriwe Edith Stein i Kisangani aho yaronkeye urupapuro rw'umutsindo.

Mu mwaka wa 2016 dushika 2017 yari mu Novisiya mu gihugu c'Ubufaransa agira indagano za mbere ku wa 22 Myandagaro 2017. Kuva 2017 gushika 2021 yari mw'iseminari nkuru yitiriwe umweranda Yohani Pawulo wa II i Gitega i Songa. Mu 2021 yarungitswe kwimenyereza ubutumwa i Kisangani mu nzu y'irerero aho yamaze amezi atandatu.

Kuva mu kwezi kwa mbere gushika mu kwa gatatu 2022 yariko yitegurira indagano burundu. Ku wa 23 Ntwarante 2022 yagize indagano burundu, ku wa 25 ntwarante yatirwa mw'ibanga ry'ubudiyakoni na Musenyeri Marcel Utembi Tapa, Umwepisikopi wa diyoseze nkuru y'i Gisangani muri Congo.

Yatiwe mw'ibanga ry'ubusaseredoti na Musenyeri Bonaventura Nahimana Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega kuwa 11 Kigarama 2022.

*MSV Ndikumana Marie Goreth*

# Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki? *(Ibikurikira)*

*(Bitangurira ku rup.4)*

2007; Kibazi ND d'Esperance 2010; Kibago (Saint Etienne): 2011; Munini (Saint Paul): 2012; Muyange (Saint Joseph Artisan): 2013; Buruhukiro (Sacré Coeur de Jésus): 2015; Kiyagayaga (Marie Reine de la miseicorde): 2016; Canda (Notre Dame de la Visitation): 2017; Kiryama (Saint Jean Paul II): 2018; Cangwe (Immaculée conception): 2019;.

Paruwase Muhuzu yitiriwe Paulo mweranda yavutse muri 2019; Biheka yitiriwe Ambroise mweranda yavutse mu 2020; Gasiba- Kagomogomo yitiriwe Francois Xavier mweranda yavutse muri 2020; 2021; Paruwase ya Gitaramuka ca Bururi yitiriwe Yozefu mweranda yavutse muri 2021.

**Abasaserdoti bo ni banagana iki ?**

Abasaserdoti bakukira Diyoseze ya Bururi kandi b'imvukira bakarangurira ubutumwa muri Diyoseze, ni 139.

Abakukira Diyoseze ariko barangurira ubutumwa mu yandi madiyoseze yo mu gihugu ni17.

Abasaserdoti bari ku mashure canke bari mu butumwa hanze mu makungu ni 79.

Bose hamwe, Diyoseze ya Ngozi ifise abasaserdoti b'imvukira 235.

# Patiri Onesifore Ntahimpera yaraye arengutse i Bukama

**Patiri Onesiphore Ntahimpera ni nde?**

Kuwa 13 Kigarama 2022, niho Patiri Onesiphore Ntahimpera yarenguka i Bukama, mu bitaro Tanganyika Care Clinic vy'i Bujumbura.

Inkuka y'imisa yo kumuhereza Umukama yabaye kuwa 22 Kigarama 2022, mw'itongo ry'abapfuye riri mw'iseminari ntoyi y'i Buta, inyuma y'imiusa yahererejwe mu Gasengero kitiriwe Abamaratiri b'Umuvukano b'i Buta.

Iyo nkuka y'imisa yari irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Salvatori Niciteretse, Umwungere wa Diyoseze Bururi, ari kumwe na Nyenicubahiro Musenyeri Joachim Ntahondereye, Umwepiskoipi wa Diyoseze Muyinga, Nyenicubahiro Musenyeri Blaise Nzeyimana, Umwepiskopi wa Diyoseze Ruyigi, Ivyegera bikuru vy'abepiskopi ba Diyoseze Bujumbura, Gitega, Rutana na Bururi.

Hari kandi n'isinzi ry'abasaserdoti ba Diyoseze Bururi n'abari baje bava mu yandi ma diyoseze, abihebeyimana n'abakristu ba Diyoseze ya Bururi.

**Patiri Onesiphore Ntahimpera ni nde?**

Ni mwene Bernardo NDIRAMIYE na Anesia NTIBISHIMIRWA. Yavukiye ku musozi wa NTUNDA, ikomine ya VYANDA vya Bururi, mu 1947.

**Aho yize amashure**



Yize amashure matomato ku MUZUGA, NDAGANO na NYAMUGARI kuva mu 1955 gushika 1961.

Yabandanije amashure yisumbuye mw'iseminari ntoyi y'i Mugera wa Gitega na Burasira bwa Ngozi kuva mu 1961 gushika mu 1968.

Arangije yaciye yinjira mw'iseminari nkuru y'i Bujumbura, kuva mu 1968 gushika mu 1974.

Yatiwe mw'ibanga ry'ubusaserdoti-busuku na Musenyeri Bernardo Bududira hari ku wa 18 mukakaro 1974 muri paruwase ya KAGANZA.

**Aho yagiye ararangurira ubutumwa**

Amaze kwatirwa, Patiri Onesiphore Ntahimpera yaciye arungikwa kurangurira ubutumwa muri paruwase ya Butwe, ahamara umwaka, aca agenwa kuba umuserukizi wa Diyoseze mu mashuri yegamiye gatolika gushika mu 1978.

Kuva mu 1978 yaciye arungikwa kunonosora ivyigwa mu vy'ubutunzi n'intwaro y'amashirahamwe (administration et gestion) i Fribourg mu gihugu c'Ubuswise n'i Paris mu Bufaransa.

Agarutse mu Burundi, mu 1980, yaciye agenwa kuba umunyabigega wa Diyoseze Bururi gushika mu 1991, ubwo butumwa yabufadikanya n'ukuba umuhanuzi mu vy'indero n'iterambere mw'ishirahamwe COPED (Conseiller pour l'Education et le Développement (COPED), akaba n'umwibutsamana mw'ikambi y'igisirikare i Bururi (camp Militaire Bururi) no mw'ishure ry'isumbuye rya Bururi nyene (Lycée Bururi).

Mu nyuma yarasubiye mu gihugu c'Ubufaransa, amarayo umwaka w'akaruhuko (année sabbatique).

Agarutse, yashitse agenwa n'Inama y'Abepiskopi Gatolika ngo abe Umunyamabanga wa Caritas Burundi, aho yahamaze inyaka itari mike, gushika mu 2000.

Kuva mu 2000 yasubiye muri Diyoseze Bururi kuba Umuyobozi n'ubutunzi (DAF) muri COPED gushika mu mwaka w' 2002.

Amaze kuva muri ubwo butumwa, yaciye ashingwa kuba uwukurikiranira hafi ivtyerekeye ugutunganya amaparuwase (Assistant en gestion des paroisses).

**Ico adusigaranye**.

*Ico tuzokwama tumwibukirako*

Patiri Onesifore Ntahimpera yari umupatiri w'ibanga, aciye ubwenge, agakunda ubutumwa, akanaryosha ubuzima, akakira abantu neza, bakiyumva, agahimbarwa n'ibanga ryiwe, agashima icese iciza cakozwe, akaryosha ubuzima mu gutwenza abo basangiye umubano.

Patiri Onesifore Ntahimpera yarangwa kandi n'umutima w'urukundo rwitangira bose, akayaga na bose.

Tubamenyeshe ko Patiri Onesiphore Ntahimpera yarengutse afise imyama 75 y'amavuka.

*Imana imwakire u bwami bwayo.*

« ***Intungane izohimbarwa mu Mukama, iheze imuhungireko; abari n'umutima ugororotse bose bazokwihayagiza***»

(Izaburi 64,11)

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Irwirirana ry'abantu mu Burundi ni urugamba kuri twese

Ku wa 20 Kigarama 2022, ubushikiranganji bw'amagara y'abantu bufadikanije n'amashirahamwe mpuzamakungu ashigikira imigambi ya Reta mu vy'iterambere bwaratunganije inama kuri abo bose begwa n'ikibazo c'irwirinana ry'abantu mu Burundi. Muri bo, hari hatumiwe n'abarongoye amashengero n'amadini mu Burundi.

Olivier Nijimbere, umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya SIDA mw'ijambo ryiwe yaramenyesheje ko umurindi w'irwirirana ry'abantu mu Burundi uri kurugezo rudasanzwe.

Yerekeje ku batumiwe muri iyo nama bakongera bakayitaba, ati: «Aha mwese nta n'umwe atarajwe ishinga n'umuvuduko w'irondoka mu gihugu cacu. Twabatumiye rero mu ntumbero yo kubasaba intererano yanyu twongere duhanahane ivyiyumviro ku kungene twoshira mu ngiro ibikorwa Reta y'Uburundi yiyemeje mw'ihangiro ryo gushika 2030 ku vyerekeye kuvyara ku rugero».

**Hariho intambwe ku bijanye n'irondoka ku rugero mu Burundi**

Nk'uko Olivier Nijimbere yabandanije abishikiriza, ngo itohoza ryabaye mu mwaka w'2016 ushira 2017 mu bijanye n'irwirirana ry'abantu n'amagara meza, ryerekanye ko irondoka rijanye n'amagara meza ryateye intambwe ishimishije ugereranije n'ibiharuro vyo mw'itohoza ryo mu 2010.

«Abakenyezi bubatse bari ku buryo bwo kuvyara ku rugero bavuye ku bice 18% mu 2010 baja ku bice 23% mu 2017. Abakenyezi bibarukira ku mavuriro bavuye ku bice 60% baja ku bice 85%. Igitigiri c'abakenyezi bahitanwa n'imbanyi caragabanutse, kiva ku bakenyezi 500 kija ku bakenyezi 334 ku bana 100 000 bavutse bakomeye. Igitigiri c'abana bapfa batarakwiza imyaka 5 caragabanutse kiva kuri 96 gishika kuri 76 ufatiye ku bana 1 000 bavutse bakomeye.»

Uwo munyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya SIDA ati : «Ivyo tubikesha abenegihugu ubwabo bategereye inyigisho twama turabashikiriza hamwe na mwebwe bakozi b'Imana muguma muhimiriza.»

Naho biri uko, ngo intambwe iracari ndende kuko amatohoza yabaye mu mwakwa w'2016-2017 ngo yerekana ko umukenyezi w'umurundikazi yibaruka abana barenga batanu (5,5). Ivyo biri uko mu gihe ihangiro rya Reta ar'uko mu mwaka 2025 twoba twashitse aho umukenyezi w'umurundikazi yibaruka abana batarenze batatu.

Kugira ngo umurindi w'irwirirana ry'abantu ugabanuke gushika ku bana batatu ku muryango, abahinga ngo berekanye y'uko abantu boba bijukiye ku buryo buboneka ubuhinga bwo kuvyara ku rugero gushika ku bice 60%. Ni mu gihe gushika ubu ibiharuro vy'abakenyezi bitabira umugambi w'irondoka rijanye n'amagara meza bitarashikira ibice 40%.

**Ekleziya Katolika ihagaze hehe ku bijanye no kurondoka ku rugero?**

Musenyeri Blaise Nzeyimana, Umwepiskopi wa diyoseze katolika ya Ruyigi yari yitavye iyo nama, aremeza ko ikibazo c'umurindi w'irondoka mu Burundi kiri mu biraje ishinga Ekleziya Katolika. ati: «Abantu nibaguma bagwira bakaba benshi ikirenga, ubuzima bwabo buzoba naba».

Uwo mw'Episkopi ati: «Ingendo yose rero ije yubahiriza iteka ry'umuntu kugira ngo umurindi w'irwirirana rw'abantu mu Burundi ugabanuke, Ekleziya irayishigikira mbere igasaba ko abantu bose bayikwirikiza.

Muri Ekleziya Katolika rero, twemera uburyo bwo kugabanya umurindi w'irondoka hakurikijwe uburyo bufatira kuri kamere y'umukenyezi no kwihangana mu gihe umukenyezi ashobora gusama imbanyi. Ubwo nibwo buryo bwigishwa muri Katolika.

Nibwo buryo bwubahiriza iteka ry'umuntu. Ubundi buryo bwose burarityoza» Nk'uko uwo Mwungere wa Diyoseze Ruyigi abivuga, ngo hoba harageze igihe Reta na Ekleziya badatahura kumwe inyigisho z'irondoka ku rugero cane cane kubijanye no gukoresha uburyo bw'ubuhingurano mu gutandukanya imvyaro. Ariko mu nyuma Reta ngo yahavuye itahura ko hari ivyo Ekleziya idashobora kwigisha no gushigikira. «Ubu bamwe bose bahisemwo gufata inzira y'ico bahisemwo gukoresha mu guhangana n'umurindi w'igwirirana ry'abantu mu Burundi».

Tubamenyeshe ko ubu mu madiyoseze yose y'Ekleziya y'Uburundi higishwa uburyo bwo gutandukanya imvaro hisunzwe uburyo kama. Ibiharuro vy'abahinga vyo mu 2017 vyerekana ko ubwo buryo bwakoreshwa ku bice 3% vy'abarundi. Musenyeri Blaise Nzeyimana avuga ko ivyo vyatumwe n'uko ata buryo bukwiye bwabonetse bwo kwigisha no guhimiriza abantu gukoresha uburyo kama bwo gutandukanya imvyaro.

Ubu rero ngo hagiye kuronderwa uburyo, bibaye ngombwa na Reta iterere, n'abashigikira ibikorwa vy'iterambere mu Burundi baterererzwe gurtyo inguvu zikoreshwa mu kwigisha uburyo bw'ubuhingurano zikoreshwe no mu kwigisha no guhimiriza uburyo kama na ntohozabimenyetso vy'umukenyezi.

*Mélance Ndayikeze*

# Igisata Caritas c'Ekleziya Katolika giharanira kugumya akaranga kayo




Foto : Mélance Ndayikeze

Ku ma genekerezo ya 15 na 16 Kigarama 2022 i Bujumbura, Caritas Burundi yaratunganije inama idasanzwe yo kurimbura aho bagejeje kurangura ihangiro ryabo ry'umwaka w'2020 rishira 2023 no kurabira hamwe icokorwa kugira ngo ubutumwa bwa Caritas Burundi buranguke nk'uko bitegerezwa.

Iyo nama y'imisi ibiri, yakoranye irongowe na Nyenicubahiro Musenyeri Georges Bizimana, Umwungere wa Diyoseze Ngozi akaba arongoye igisata ca Caritas mu nama nkuru y'Abepiskopi katorika b'i Burundi.

Musenyeri Georges Bizimana ati : «Ihangiro rya Caritas nk'urunani rw'amadiyoseze ni kurondera iterambere dukoresheje uburyo bwose bwemewe kandi butumbereye neza kugira ngo dushike kw'iterambere turwanye n'ubukene».

Nk'uko abivuga, Musenyeri Georges aremeza ko ibibazo biduhanze ari vyinshi. Ariko ngo Caritsa itegerezwa gukora ugushoboka kwose kugira ngo igire ico ishitseko.



Foto : Mélance Ndayikeze

***Musenyeri Georges Bizimana, Umwungere wa Diyoseze Ngozi akaba arongoye n'igisata Caritas mu nama nkuru y'Abepiskopi katolika b'i Burundi***

Muvyo gukora, Musenyeri agira ati: «Uyu mwaka twashimikiye ku gukomeza akaranga ka Caritas. Amashirahamwe mu gisata c'iterambere yaragwiriye, hari ayafise indingazo yayo akagira n'intumbero mbere rimwe rimwe ugasanga intumbero z'ayo mashirahamwe amw'amwe si intumbero yubaka canke ihwanye n'ico twita ineza muri Ekleziya Katolika.

None rero mu manama nk'aya tuboneraho akaryo ko kwirimbura no kwinegura kugira ngo ntihagire aho twosanga twagiye kubiri n'akaranga ka Caritas: Ekleziya ikorera ubwami bw'Imana».

**Amahangiro yose ya Caritas agenda agana iyo ntumbero**

Nk'uko uwo Mwepiskopi abivuga, amahangiro ya Caritas iya mbere ngo ni kugumya akaranga nk'igisata c'ubutumwa bw'Ekleziya. Ica kabiri ni kurondera kugwanya inzara. Ica gatatu ni kurondera ukuntu abantu bogira amagara meza. Ica kane ni gukingira no kubana neza n'ibidukikije nk'inzu rusangi itugirira akamaro twese.

Ikindi naco ama Caritas ahurirako ni guhanahana amakuru y'abagize ivyago bakamererwa nabi, kugira ngo habe ubufasha bwihuse kuko hari abamererwa nabi kubera ivyago bagize, iyo hatabotse ubufasha bwihuse ibintu bakagenda nabi cane».

Muri iryo hwaniro, hari n'ibindi bibazo bihanze abarundi n'isi yose baciye irya n'ino. Aha twovuga nk'ikijanye no kwitwararika ingenzi n'abo bose banyuruzwa.

Ivyo biriko biribonekeza cane muri iyi myaka aho hari abantu bakora ibintu bisa no kudandaza abantu mu kubaronderako akunguko babanje kubaha akazi n'ibindi. Barashimikiye kandi ku gukingira amagara y'abantu no gukingira ibidukikije. «Ariko ivyo vyose bigashingira nya gushingira ku kuguma ku karanga ka Caritas irondera iterambere mugabo iri mu murongo w'Ekleziya».

Ivyiyumviro vyashikirijwe mu mpera y'iyo nama ngo nivyo bizokoreshwa bikongera bigafatirwako mu gukora irindi hangiro rizokurikira ry'umwaka w'2023 ushira 2026.

Iyo nama yari yatumiwemwo abantu bose bafise uruhara mu gikorwa co kwitwararika umuntu mu mpande zi-we zose no kumuha iteka akwiriye.

Aho twovuga nk'ama Caritas yo mu madiyoseze, abahurikiye mu butumwa bw'imiryango y'abihebeyimana, amashirahamwe atandukanye afise intumbero y'iterambere ry'umuntu biciye mu nzira nziza zimuhesha icubahiro kandi ntizimwambure iteka ryiwe.

***Mélance Ndayikeze***

# Mbega nkore iki?

Abakera barayamaze bati: "Ubunyegeri buyagira kw'igufa"; abandi bati : "Inkozo y'icupa ni ijambo"; bakongera bati : " ikiyago kigirwa n'akayoga" n'iyindi myibutsa iduhamagarira gutsimbataza umuco w'ikirundi wo kwihereza urukanywa, kanatsinda ngo akayoga niko kavyara abagenzi.

Uko imyaka yagiye irehereza iyindi, niko isi yagiye iratituka, bituma itacumbuka nk'uko yahora. Ivyo vyatumye umwimbu ugabanuka, bica bituma n'akakayoga katakiboneka nk'uko kahora, ariko abanywi bako bagumye bagrwira.

Iyo yabaye imbarutso y'ivuka ry'inganda nyishi zihingura inyobwa zitandukanye, mbere zimwe muri zo, zikaba zarahagaritswe kubera ubushikiranganji bw'ubudandaji bwasanze zifise ingaruka mbi ku magara y'abantu.

Aha mu Burundi rero, kugeza uyumusi nta tegeko rihari ryerekeye guhingura, kunywa no kudandaza inzoga zambiye.

Ari naco gituma ku wa 19 Kigarama 2022, urunani rw'amashirahamwe BAPA rujejwe kurondera iryo tegeko, rwatunganije uruganda rwo guhanahana ivyiyumviro ku cokorwa kugira ingaruka mbi ziterwa n'ukunywa inzoga z'umurengera ziranduranwe n'imizi.

Urwo ruganda rwari rwitabwe na bamwe mu bashingamateka batowe mu ntara, abakorera amashirahamwe yigenga hamwe na muganga Davidi NZIRUBUSA icegera c'umuyobozi ajejwe umugambi w'igihugu ujejwe indwara ngendanwa kandi zitandukira, akaba ari nawe yuguruye ivyo bikorwa kw'izina ry'ubushikiranganji bw'amagara y'abantu.

Ivyigwa vy'uwo musi, vyari bishimikiye ku ngaruka mbi ziterwa n'ukunywa inzoga z'umurengera hamwe n'ico amategeko avuga kw'ihingurwa ryazo n'abazihereza.

Muganga Ines NSHIMIRIMANA akora mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu mugambi w'igihugu ujejwe indwara ngendanwa kandi zitandukira,


Foto: Chanel HARINGANJI

mu cirwa ciwe, yarerekanye ko ukunywa inzoga birenze urugero, biri mu vyica abantu hakiri kare ku rugero rugira 3 bagereranije n'izindi ndwara nk'uko vyemezwa n'abahinga.

***None inzoga zitarenze urugero, ni zingahe?***

Umugabo yemerewe kunywa uturahuri tumwe dutoya bita nyumbakumi 3*(Ikiyeri kimwe)* kumusi, mu ndwi akaruhuka kabiri, ni mugihe umugore nawe yemerewe kunywa uturahuri nk'utwo 2 ku musi, nawenyene akaruhuka kabiri mu ndwi.

Zimwe mu ngaruka mbi zo kunywa inzoga z'umurengera

- Bituma ubwonko budakora neza,
- Bitera indwara y'igitigu na za cancer z'ubwoko 7,
- Bituma urwara indwara y'urwagasha n'insogi,
- Kutarangura neza amabanga y'abubatse,
- Ivumbuka ry'umurundi w'amaraso,
- Indwara zo mu mutwe, n'ibindi.

Izo ngaruka mbi zikaba zibonekeza haheze igihe.

Landry INGABIRE, mu cigwa ciwe yagarutse ku mategeko ahari mu bitabo bitandukanye agenga ihingurwa ry'izo nzoga hamwe n'abazihereza. Amwe muri ayo mategeko, yari ayo mu 2021, aho muri ayo bavugamwo izoga zitemewe zicururizwa, mbere zimwe muri zo zikanakorerwa aha mu Burundi, amasaha ububare bw'ugururira n'igihe bw'ugara, ….

Bamwe mu bari bitavye urwo ruganda, bakavuga ko bidatahuritse ingene zimwe muri izo nzoga zibandanya zidandazwa.

Aho ni mugihe zaciye zihindura umukenyuro wo guhindura ibitekezo zahora zitekewemwo.

Ivyo bigakorwa uko ariko hatiyumviriwe amagara ya wamunyagihugu azozihereza kuko hari abamaze gupfa bahitanywe nazo.

Inyuma y'ico cirwa, twaciye dutembera mu bibanza bimwe bimwe vy'ubunywero mu gisagara Bujumbura nko kuri Gard du Nord no kuri Cotebu, kugira turabe ko ayo mategeko akurikizwa. Muri rusangi twasanze ayo mategeko yarabitswe mu kabati nk'uko vyavuzwe na bamwe mubari muri urwo ruganda.

Bernadetta MUNEZERO, umuhuzabikorwa muri BAPA,


Foto: Chanel HARINGANJI

yasavye abari bitavye urwo ruganda, na cane cane abashingamateka bo bashobora gushikana ijwi hejuru kugira itegeko haheze igihe riteguwe rigenga ihingurwa, idandazwa, n'ukwihereza izo nzoga zambiye risinywe ryongere rishirwe mu ngiro, mu ntumbero yo kugabanya ingaruka mbi ziterwa no kunywa inzoga z'umurengera na cane cane ku bana, binashobotse zihere burundu.

Yarasavye kandi ko ikigo BBN kijejwe kugenzura ko ibidandazwa bikije amategeko, coza kirabisuzuma kumwanya kumwanya kugira barabe ko ibikoresho bakorwamwo inzoga, bikwije neza amategeko yo kunyobwa. Agaterakamo amahinguriro ko atokwibagira gukingira abeneguhugu kuko ari bo mutahe bafise.

Tubibutse ko ata tegeko nk'iryo ryari bwabeho aha mu Burundi.

None ko hadutse ubwoko bwinshi bw'inzoga zoba zemewe n'amategeko? dukore iki kugira dukinge amabi aterwa na zo?

Ico ni ikibazo nawe wokwibaza ufatiye ku burorero bwinshi umaze kubona aho ubaye mu kibano iwanyu.

***None wigiriye inama nyabaki?***

**Biracaza**

**Chanel HARINGANJI**

# Uburenganzira bw'umwana yavutse ku bavyeyi batubakanye

Umwana ni umuntu atarashikana imyaka cumi n'umunani, kiretse mu gihe hokurikizwa ayandi mategeko amufata nk'uwukuze imbere y'iyo myaka nk'uko ingingo ya 1 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana ibitegekanya.

Nk'uko bikorerwa umwana wese, n'umwana yavutse ku bavyeyi batubakanye arafise uburenganzira bwo kwandikwa mu bitabu ndangamuntu no kugira izina, kuronswa inyigisho, kugira ubwenegihugu, gutegekanirizwa kazoza, n'ibindi nk'abandi bana bose.

Uburenganzira bw'abana bavutse ku bavyeyi batubakanye butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.



**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bw'abana bavutse ku bavyeyi batubakanye butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike hamwe n'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana.

Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu :

Agace ka kabiri k'ingingo ya 25 kavuga ko umuvyeyi n'umwana mutoyi bategerezwa kwitabwaho kurusha abandi.

Abana bose bavutse ku bavyeyi bubakanye canke batubakanye bategerezwa gukingirwa ku rugero rumwe.

Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike :

* Ingingo ya 24 ivuga ko umwana wese, ata gucagura na kumwe gufatiye ku bwoko, urukoba, igitsina, ururimi, ukwemera, amamuko y'igihugu, ubutunzi canke uko yavutse, afise uburenganzira bwo gukingirwa mu rugero rwiwe rwo gufatwa nk'uwutaho arigeza.

Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana :

* Agace ka mbere k'ingingo y'7 kavuga ko umwana wese ategerezwa guhabwa izina, kwandikwa akivuka, gurtyo akaronka igihugu yitirirwa kandi bishobotse akamenya abavyeyi biwe, nabo akaba ari bo bategerezwa kumurera.

* Ingingo y' 9 y'ayo masezerano nyene, mu gace kayo ka 3 ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano bitegerezwa kubaha uburenganzira bw'umwana atabana n'abavyeyi biwe bompi canke umwe muri bo, bwo kugiranira imigenderanire na bo, kiretse mu gihe vyoboneka ko ivyo biteye kubiri n'ineza y'umwana.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu arategekanya uburenganzira bw'umwana wese n'umwana yavutse ku bavyeyi batubakanye adasigaye inyuma.

N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira**

Tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro, mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi hamwe n'ibiri mw'Itegeko nshikiranganji n° 630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 rituganya akazi k'abana.

***Mw'Ibwirizwa Shingiro***

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono hakaba harimwo nayerekeye abana.

Ingingo ya 44 ivuga ko umwana wese afise uburenganzira bwo kubungabungwa no kworoherezwa kurusha uko abayeho ku vyerekeye amagara yiwe, umutekano wiwe, ukudafatwa bunyamaswa, kudacurwa bufuni na buhoro canke kudakore-shwa ku nguvu.

Ingingo ya 45 ivuga ko bibujijwe ko umwana uwo ari we wese akoreshwa mu ntambara agategerezwa gukingirwa muri ico gihe c'intambara hatarabwe inkomoko yiwe.

Ubwo burenganzira butegekanijwe muri izi ngingo za 44 na 45 z'Ibwirizwa Shingiro, hamwe n'ingingo Reta y'Uburundi yafashe yo kuvuza ku buntu abana batarashikana imyaka itanu,

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umwana yavutse ku bavyeyi batubakanye

(Bitangurira ku rup.10)

bwerekeye abana bose n'abavutse ku bavyeyi batubakanye badasigaye inyuma, iyo bafise urupapuro rwemeza imyaka y'amavuka yabo nk'abandi bana.

***Mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi:***

Ingingo ya 37 ivuga ko ivuka ry'umwana ritegerezwa kumenyeshwa umukuru w'ibiro vy'inzandiko ndangamuntu w'aho nyina w'umwana aba mu misi icumi n'itanu ikurikira ivuka ry'-uwo mwana.

Nk'uko ingingo ya 39 ibivuga, urwandiko rw'amavuka ruramenyesha umusi n'ikibanza c'aho umwana yavukiye,kw'ari umuhungu canke umukobwa, izina n'iritazirano umwana yahawe; iyo ari umwana avuka ku bavyeyi babiranye biciye mu mategeko, ruratomora amazina ya se na nyina n'aho baba.

Ingingo ya 40 ivuga ko urwandiko rwemeza amavuko y'umwana yavutse ku bavyeyi batubakanye rumenyesha gusa izina rya nyina, kiretse iyo se aciye amwemera.

Izo ngingo za 37, 39 na 40 zirerekana ko umwana yavutse ku bavyeyi batubakanye umuvyeyi wiwe ntamwandikishe mu bitabu ndangamuntuco kimwe n'abandi bana ata gucagura.

Iyo atandikishijwe atakaza uburenganzira bwo



kugira ubwenegihugu n'ubwo gukingirwa n'amategeko afatira ku myaka y'umuntu mu kumukingira kubera imyaka yiwe iba itamenyekana neza.

Muri ico gihe, ashobora gukoreshwa ibikorwa bitari ku rwego rwiwe, akabura ivyo arekurirwa n'amategeko canke agafatwa nk'uwukuze kandi yari agifise imyaka ituma ategerezwa gukingirwa kubera ubuto bwiwe.

Ingingo zo kuva ku y'234 gushika ku y'242 na zo zirerekana ko umwana w'ishushu afise uburenganzira bwo kwironderera se.

Iyo uwo yita se atamwemera, araheza akerekana ivyemeza ko ari we se. Twibukanye ko ishushu ari umwana yavyawe n'umwigeme atawe bubakanye.

Umwana niwe ashingisha urubanza rwo kwironderera se yamuvyaye, rugashingirwa uwitwa ko ariwe se, iyo amaze gushikana imyaka mirongo ibiri n'umwe, mu gihe kitarenza umwaka.

Iyo umwana atarayishikana, urubanza rushingishwa na nyina canke umurezi wiwe. Iyo uwitwa ko ari we se yamaze kwitaba Imana, rushingirwa ba samurarwa biwe.

Urubanza rutegerezwa gushingwa mu gihe kitarenga umwaka umwana ashikanye imyaka mirongo ibiri n'umwe.

Iyo hitwarirwa ba samurarwa b'uwo yitwa ko ari se, urubanza rutegerezwa gushingwa mu gihe bano bataramutorana kandi mu kiringo kitarenza umwaka apfuye.

Umwana yemewe na se kugushaka kwiwe canke avyemejwe n'ingingo ya sentare, aca agira amateka yose y'umwana yavutse ku bavyeyi bubakanye.

Atorana co kimwe n'abandi bana biwe bavutse k'uwo bubakanye biciye mu mategeko. Iyo atemewe na se na ho atorana iwabo wa nyina.

Mw'itegeko nshikiranganji n° 630/1 ryo ku wa 5 nzero 1981 rituganya akazi k'abana:

Ingingo ya 13 itegekanya ibikorwa umwana afise imyaka iri hagati ya 15 na 18 adakoreshwa, kubera bishobora kubangamira ubuzima bwiwe.

Aha twovuga nko kwimba ubutare, gukora ibijanye n'umuyagankuba, ibikorwa bikorerwa mu mazi nk'ugutwara ubwato canke ngo akore akazi ko mw'ijoro.

Ubwo burenganzira bwo gukingirwa n'ubw'abana bose ata kuraba amamuko yabo canke ibindi bibatandukanya.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abana bavutse ku bavyeyi batubakanye bafise uburenganzira bwiharijwe n'umwana uwo ari we wese, hatarabwe inkomoko yiwe.

Ntihagire rero uwohirahira ngo abe intambamyi ku mwana mu kumubuza uburenganzira bwo kugira izina n'ubwenegihugu ngo ni uko yavutse ku bavyeyi batubakanye.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Itangazo risozera ibikorwa vy'inama y'Abepiskopi Gatolika yo muri Kigarama 2022


*(Bitangurira ku rup.3)*

4. Ico gikorwa giheze, barakiriye abasaserdoti barongoye amaseminari makuru bari kumwe n'abanyabigega bayo. Abo bakaba bari baje gushikiriza amaraporo y'uburyo ayo maseminari yakoresheje be n'ubwo yabungabunze mu mwaka uheze, hamwe n'integekanyo y'ubwo azokoresha be n'ubwo azobungabunga muri uyu mwaka.

Abepiskopi barashimiye ayo masemanari uko ari ane kuko basanze uburyo buboneka bukoreshwa neza kandi ko muri rusangi ayo maseminari ariko aratera imbere mu kwongereza ibiyabeshaho.

5. Abungere basozereye ibikorwa vy'inama yabo bihweza integuro y'igitabu kigenga itunganywa ry'imirimo n'ikoreshwa ry'uburyo mu madiyoseze. Barashimye iyo nteguro baca basaba ko diyoseze imwe imwe yose yoyisunga mu gikorwa co gutegura igitabu ben'ico, cayo bwite.

6. Bamaze guhetura ivyari vyategekanijwe kwigwa mu nama, Abepiskopi baratoye abarongozi bashasha b'urwego rwabo. Umukuru w'Inama yabo mushasha yatowe ni Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventura NAHIMANA.



Umwpiskopi mukuru wa Gitega, ahagarariye n'Umuvyeyi wacu Papa mu burongozi bwa Diyoseze ya Rutana. Icegera ciwe na we ni Nyenicubahiro Musenyeri Salvatori NICITERETSE, Umwepiskopi wa Bururi.

***Bigiriwe i Bujumbura ku wa 9 Kigarama 2022.***

***Kubw'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi***

***+ Yohakimu NTAHONDEREYE***
***Umwepiskopi wa Muyinga, Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi.***

**Ndongozi y'Uburundi**

# «Ibanga ry'umu Chiro ni kuba ingabo ya Kristu»

«Ibanga ry'umu Chiro ni kuba ingabo ya Kristu». Ayo niyo majambo Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, yuguruje ihwaniro kaminuza ry'umuhari wa Chiro. Hari ku mugoroba w'uwa 26 Kigarama 2022 mu kigo «Don Bosco» kiri mu Buterere i Bujumbura.

Mu nkuka ya Misa yo kwugurura iryo hwaniro ry'imisi 5, Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa ati: «Ni mwebwe mutegerezwa guseruka imbere y'abandi mukabirangurana ibwirizwa ry'urukundo, mubigirana intumbero imwe gusa yo guhesha icubahiro Imana».

Mu gihe c'insiguro y'Ijambo ry'Imana, Umwungere yasavye aba Chiro ibintu bitatu bokwama birimburako nk'ibiranga umuhari mwiza w'Ekleziya Katolika:

1. Umuhari ufasha abawurimwo kuba abakristu babushitse.

Musenyeri banshimiyubusa ati: « Mukabona umuhari mugiyemwo utabafasha kuba abakristu nyabo babushitse barangwa n'urukundo, uwo muhari si wo. Ntaho woba utandukaniye n'amashirahamwe y'abandi bantu bahujwe n'izindi nyungu atari gushikana abantu ku Mana».


*Foto : Mélance Ndayikeze*

2. Umuhari uha akaryo abawugizeko gushira hamwe inguvu n'ingabirano zabo kugira ngo bashobore kubera abandi kirumara mu kubatabara haba ku mutima canke muri vya bikorwa vy'urukundo birora ku mubiri.

3. Umuhari witwararika ko abawurimwo baguma mu bumwe n'Abungere b'Ekleziya mu gushira mu ngiro inyigisho z'Ekleziya n'iz'Abungere b'Ekleziya.

Ni muri ayo majambo Umwengere yibukije abari ngaho ko umunyamuhari abwirizwa kuba umuco n'umunyu w'isi.

Uwo Mwepiskopi yifurije abaje muri iyo nama kuroranirwa, kababere akaryo ko kwinagura mu butumwa bwabo.

**Mélance Ndayikeze**